Listen and Learn Ukwitabira kw'abanyagihugu:

Inama mu migwi

Amabwirizwa

Muri izi nama zo mu migwi, tuzokwiga ico bisigura ku banyeshure bacu gushika kw'iterambere mu bujanye n'indero hamwe n'ukugene twoshigikira amahigwe yo kubafasha kubishikako.

Buri cumba kizoba gifise umuhuza w'amajambo hamwe n'umwanditsi bo kwandika amajambo nyamukuru yo gutahana hamwe n'amajambo y'umutwe nyamukuru y'ibiganiro vyanyu – aya makoraniro ntazofatwa amajwi, ariko ukwandika ivyavugiwemwo ni nkenrwa cane ku bushobozi bw'ishirahamwe bwo kwongeramwo amajambo y'umutwe rusangi avuye muri ibi biganiro agashirwa mu nteguro hamwe n'ibikorwa vyo muri kazoza. Umuhuza w'amajambo azoyobora imigwi yanyu mu rukurikirane rw'ibibazo kugira yunve ico muvuga ku bijanye n'ukumenya kw'abanyeshure hamwe n'amahigwe, hamwe n'ukugene amashure, abagize ikibano, hamwe na reta bashobora gukorera hamwe mu gushigikira ubwoko bw'amahirwe twipfuza kubona mu mashure.

Urasabwa kumenya ko: Twemera ko indero ari igice gishobora gutuma habaho ibishobisho hamwe n'ivyiyunviro bikomeye. Ibiganiro vyacu uyo mugoroba bizokwibanda ku gusigura ukumenya kw'abanyeshure hamwe n'ukugene ishirahamwe rijejwe indero rishobora gushigikira amashure kugira ryizere ko buri munyeshure afise amahirwe yo kuronswa inyigisho zo ku gwego ruri hejuru.

Turasaba ko abazoba bitabiriye uyo musi bubahana hagati yabo mu budasa bw'ivyiyunviro kandi bakamenya ko buri muntu ari ngaho kuri uyo mugoroba yaje kubera yipfuza gushigikira impinduka nziza.

Ibibazo mu kiganiro co mu mugwi

Ukumenya kw'umunyeshure

1. Mu gihe uzi ko umunyeshure ariko aramenya, ibi biba bisa gute mu bice bitandukanye vy'indero, harimwo:
    a. Mw'ishure ry'intango?

    b. Ishure ry'isumbuye?

    c. Ishure rikuru?

2. Iyo wiyunviriye ibijanye n'uku kumenya, ni ayahe makuru yabitswe canke amakuru asanzwe ushingirako mu gupima ibijanye no kumenya ku:
    a. Munyeshure wawe?

    b. Kw'ishure ryawe?

    c. Abanyeshure b'I Vermont, hamwe no muri rusangi?

Ugufata mu mugongo abanyeshure hamwe n'uburambe

3. Ni gute ishure ryanyu rifata mu mugongo abanyeshure kugira bamenye mw'ishure? (nk'akarorero, indero yo hanze y'ishure, inyigisho ku bijanye n'ibishobisho mu kibano, ukubafata mu mugongo mu vyerekeye inyigisho zo mw'ishure n'ibindi.)

4. Hoba hari ibindi bikoresho wipfuza kubona abanyeshure bakoresha bidahari muri iki gihe?

5. Hoba hari n'imiburiburi amahigwe y'inyigisho ari ku gwego nimiburiburi rushobora kwihanganirwa canke ibintu umaze kubona wibaza ko abanyeshure bategerezwa kuba bafise, utitaye kw'ishure bigamwo?

6. Woba wibaza ko hari intambamyi mu kubaha aya mahigwe mu bihe bimwe na bimwe?

Amafaranga akoreshwa

7. Amashure hirya no hino muri reta ariko arahura n'ingorane z'igabanuka ry'abanyeshure. Ibi vyoba bimaze gushika kw'ishure ryawe kandi nimba bimaze gushika, n'izihe ngaruka umaze kubona bitera?

8. Amashure amwe amwe muri reta afise igitigiri gito cabiyandikisha bashasha ivyo bigatuma bitwara uburyo bwinshi bwo gutunga ishure bikanagora guha abanyeshure amahigwe yuzuye mu bijanye n'inyigisho. Ariko, ivyo bintu akenshi na kenshi ni nkenerwa ku kibano hamwe n'imiryango Ni gute Vermont itegerezwa kugerageza guhuza ubwo buryo buke n'ivya nkenegwa mu bijanye n'amahigwe y'inyigisho ku banyeshure?

9. Vermont ni reta iha agaciro ukwigenga hamwe hamwe n’igenzura rikorewe aho inyigisho zatangiwe mu bijanye n’indero, ariko haba hari akarusho ko gukorera hamwe. Ni ibihe bintu wunva wipfuza gusangiza abandi kugira abanyeshure hamwe n’ishure bagire amahigwe menshi ku giciro gishoboka mu buryo buranvye?